1. Imbere ya vyose, munkundire tubanze gukengurukira Imana Mushoboravyose yatuzigamye ikongera ikatuyobora gushika hano muri Kaminuza y'Intwaramiheto ISCAM, twitavye iki gikorwa kidasanzwe. Nihabwe iteka n'icubahiro irabikwiye.

2. Uno musi uri hejuru, ni akanyamuneza ntangere kuri twebwe ko gutanguza icese ivyirwa vy'umwaka w'ishure w'ibihumbi bibiri na mirongo ibiri ushira umwaka w'ibihumbi bibiri na mirongo ibiri na rimwe (2020-2021), hano muri Kaminuza y'Intwaramiheto ISCAM.

3. Ni akanyamuneza kandi kubona uyu mwaka wuguruwe Uburundi buri mu mahoro, umutekano n'umwumvikano hagati y'abonse rimwe.
Mwebwe rero mwa mikangara mutanguye umwaka, ni muvyakire nk'umugisha kuko muje kwitegurira guhagararira amahoro n'umutekano, ntimuje kubirondera.

4. Ubu rero mumenye igikorwa mujemwo. Muje kwinjira mu bundi buzima mutahoramwo; Ubuzima budasanzwe kuko busaba umuhamagaro, busaba kwihangana, kwitanga, kwiheba, no kwihebera igihugu n'abenegihugu.
Mumenye rero ico mugiye kuba, kugira ngo mutangure kwiga kukigendera; mwitwararike ico mugiye kuzokora kugira ntimumere nk'abubiriwe batiteguye mu muzirikanyi.

5. Mpereye kuri mwebwe nyene mwinjiye mu rwego rwo kwivuna abansi, mumenye ko ari rwo rwego rw'intwaramiheto rutegekanijwe, rukaringanizwa kandi rukaronka inyigisho kugira ngo rukingire imbibe z'Igihugu, ukwikukira kw'Igihugu n'ubwigenge bw'Igihugu.
Mutangure urugendo rwo kwitegurira ubwo butumwa muzi ko mugiye guteramira amahoro mu Burundi.

6. Uwushatse kuba intwaramiheto ntaba aje mu murimo usanzwe kuko aba aje gucika nk'intare mu muryango. Ni co gituma ivyigwa muzoharonkera atari ivyigwa bisanzwe, kuko bizotuma murinda mu gahagararira Igihugu koko.

Aha rero, mbaye ndabakebura: Nk'uko mwabibonye ku capa co ku gwinjiriro rw'iyi kaminuza y'intwazangabo, aha hinjira uwushaka kandi ashoboye.
Nivyo, birashoboka ko hari uwabonye igihagararo c'intwazangabo mu ntwaramiheto, akumva mu mutima abinezererewe hanyuma akipfuza kumera nka we, mugabo ntiyiraba mu mutima wiwe ko abishoboye. Ejo aho bukera umutima ushobora kuzoba ubishaka ariko umubiri ukanka kuvyakira kubera bigumye.

7. Birashoboka kandi ko igihe waheza amashure yisumbuye waravye kaminuza wojamwo uyihejeje ugaca uronka akazi, agaca uhitamwo iri shure kuko uriheza uba umukozi wa Reta, ariko ku vy'ukuri umutima wawe utiteguye kwihebera abenegihugu, niwashika ku bigumye ushobora gusubiza inyuma umugongo; ngo ntavyo wari uzi.

8. Ushobora no kuba ndetse wakuze ubona iwanyu, mu muryango hari intwazangabo, nawe uti reka ndabigane na ho umubiri utabikwiye, ahandi mbere ugasanga wagiye ku gakuku k'abandi utabifitiye umuhamagaro.

9. Nagira ndabamenyeshe ko umutima wo kubishaka udahagije, hategerezwa kubamwo no kuba ubishoboye kuko ibanga ryo kuba intwaramiheto ni umuhamagaro mu butumwa budasanzwe.

Erega ubutumwa bwo kuba intwaramiheto, bisaba gutanga ubuzima. Ndababwize ukuri kuko birakenewe uno musi, iyo urugamba rukamvye, mukora ibikorwa vyo kwihebera igihugu, aho hapfa uwa mbere bagemye mu cico.

10. Bisaba rero imyiteguro idasanzwe, mu mutima, mu muzirikanyi no ku mubiri. Ni co gituma imyimenyerezo yo kwivuna abansi isaba kurinda no kudatinya urukamvye.
Mu rwego rwo kwivuna abansi bisabwa kugira umutima wo kwitanga no kwitangira abandi. Bisaba ko uba uri incabwenge izi gutohoza mu gufata ingingo mu bwitonzi kugira ntujaniranye kubera ubwoba.

11. Aha muhaje muri abenegihugu basanzwe, ariko muzohasohoka muri intambwe mu rugo, ari co gituma muje muri nk'ibibuguru vy'intare, muje kugira ngo babahingure mucike intare nyazo, abo bizonanira na bo bacike, ingwe abandi ubuyabu.
Ariko ico tubashakako ni uko mwese mworangiza mumeze nk'intare mu muryango w'Abarundi.

12. Nagira ndabagabishe kandi! Mwinjiye mu gihe tukiriko turisanasana igihugu mu bijanye na politike, imibano n'ubutunzi.
Iki gihe Abarundi baracarabana mu maso, bikekana mu bisata vy'Igihugu kubera amacakubiri yari yarasinzikaje Uburundi.

13. Mu kubatora mwarabonye ko basuzuma ko intara ubwoko ndetse n'ibitsina vyaserukiwe. Mugabo kuva ubu, kubera igikorwa mwitegurira ari ico kwubahiriza abantu bose bazoba baba mu gihugu, ubu nyene, ubwoko, intara, ibitsina mute hasi.
Abarundi ntibakeneye umuhutu canke umututsi, uw'aha canke uwa hariya kugira baronke umutekano. Bakeneye ingabo zibushitse, zidahengama.
Mwinjiye babitirira ubwoko, mumenye ko muzosohoka mufise akaranga k'intwaramiheto, itavangura mu gukorera igihugu.
Ico cigwa co kwiyumva nk'Umurundi mugitangurire aha nyene, uyu musi nyene. Kuva ubu karangamuntu yanyu ni ibendera ry'Uburundi.
Muri mese, ndazi ko atawe abahutu, canke abatutsi canke intara bakoranye mu nama ya bose ngo babahe ubutumwa. Ni jewe, nk'umukuru w'abarundi bose, ngabitumiye.

Banyakwubahwa mwese mukoraniye ngaha;
Ntwazangabo mu ntwaramiheto;
Bisongerezi, Basirikare,Batumire bahire;

14. Ubwa mbere, twerekeze amaso ku mikangara yarangije rwa rugendo mpejeje kuvuga. Uko navuze ko bazosohoka bameze, mwebwe mwaramaze kubiba.
Tubanje kubakeza ku bukerebutsi n'ubwira mwerekanye mu myaka yose mumaze muri mu vyigwa vyo kwitegurira kuba intwazangabo. Ubuhizi mwerekanye mu myimenyerezo no mu vyigwa biraremesha abenegihugu ni co gituma babarindiranye igishika mu bikorwa.

15. Ubwa kabiri, uno musi murarangije itsinda rya mbere ryo gutegurwa kuba intwazangabo. Mumenye ko mwahabiye kuba umwugariro n'igikingi c'irembo.
Abenegihugu bababona bararemye kuko barabona ko muri ingabo zibushitse, zibereye gukingira Uburundi.

Muri intare mu muryango w’Uburundi. Si n’ivyo gusa muri abagabisha b’ingabo, mujejwe igikorwa co kwivuna abansi.

16. Namwe mumenye rero inyifato mugiye kugira, kugira mutsimbataze icizere abenegihugu babafitiye. Intwazangabo nziza yama ifise ingoga n’amagara meza, ikama iryamiye amajanja ku gikorwa ijejwe co gukingira abenegihugu. Mutangure imirimo mufise ku muzirikanyi yuko umubano hagati y’intwaramiheto n’abenegihugu ari nk’umubano hagati y’amazi n’ifi. Amazi iyo akamye, ifi na yo nta buzima isubira kugira.

17. Muramize ku muzirikanyi ko abenegihugu bapfuye canke bahunze nta mvo zo kubaho kw’ingabo ziba zikiriho. Ziba zimeze nk’umuyaya; iyo umwana apfuye, akazi kiwe kaba gaheze.
Umwitwarariko w’Intwaramiheto ni amahoro mu gihugu no mu benegihugu, ni ubuzima bwiza bw’abenegiguhu.
Ni co gituma zidakubita urugohe, zama zirikanuye kandi ntizifate ibintu minenerwe, zigakorera aho ari ho hose mu gihugu.

18. Mwebwe rero muri intwazangabo.
Intwazangabo itegerezwa kumenya ko impehe nsa ari ingabo zitagira umutware. Mumenye kwama muri mu ingabo, mwitwararika na ntaryo ko abo murongoye bafise umwumvikano mu bumwe bwabo.
Intwazangabo ni kiremesha mu mugwi irongoye, imeze nka serugo mu muryango. Muraba akarorero mwongere muhanure ingabo murongoye agatima ko kwirengera bakihebera abandi urugamba rukamvye.

19. Murama mwitwararika kwigisha abo murongoye kwigenza nk’intare kuko ni co kimenyetso canyu.
Intare yama imerewe neza kuko nta kiyitera ubwoba, ni ndinze amabi yose. Na mwebwe ndabizi, aho bigoye mugira agakomando. Umukomado nawe ntatsindwa.
Mwibuke ko mwemeye kwitangira Igihugu n’abenegihugu; uwemeye guheba ikizimvye kuri we ari bwo buzima bwiwe, ntiyobona igiteye ngo agitere umugongo.
Intare ifitiye impuhwe ba ntamagara. Ntawurabona intare iriko itata n’agakwavu. None namwe muze muramire abo benegihugu batobato.

20. Ico kwitonderwa, muririnda abahanuzi babi, mubaze umutima n’ababakurira igihe cose, imbere yo gufata ingingo, mugire umuziro uzigwa kujana nyabahururu canke guha amatwi abipfuza kubagira ibiraro kugira ngo bashike ku vyo bipfuza.
Murama mwibuka wa mugani wa ba sokuru: “Uwiyanka agendera mu makanda y’intakare”, canke: “ Imiswi itazi agaheza yugamika agaca”.

21. Ku vyerekeye inzego z’Igihugu, turazi ko na zo nyene zitorema zidahagarikiwe n’inzego zo kwivuna abansi n’umutekano.
Turiko turatunganya inzira irashe kugira ngo ubuzima bw’Igihugu, mu bisata binyuranye, inzego zose zibe magiriranire.
Ni muri iyo ntumbero, Reta y’Uburundi ishaka inzego zo kwivuna abansi n’iz’umutekano ziba inzego zifashe kandi z’akarorero; zishoboye no guterera agacumu k’ubumwe no mu bisata bindi vy’iterambere ry’Igihugu.

Ni muri iyo ntumbero turiko turatunganya igihugu kugira ingabo z'uburundi nazo zibe imboneza mu bikorwa vy'iterambere. Mbere muza mwaratanguye.

Banyakwubahwa mwese,
Batumire bahire mukoraniye ngaha;

22. Kaminuza y'Intwazangabo mu ntwaramiheto ISCAM ni imwe mu ma kaminuza yigisha incabwenge mu bisata bitandukanye mu gihugu cacu, ikaba ifise ico irushije izindi kuko inatanga ubumenyi mu buhinga bwo kwivuna umwansi aho aturutse hose no kuba kirumara mu gukingira imbibe n'ubwigenge bw'Igihugu. Ni co gituma tubarindiriyeko vyinshi.

23. Iyi kaminuza y'intwazangabo, yashizwe mu mashure y'akarorero ya gisirikare muri kano karere ka Afrika y'Ubuseruko, bivuye ku kanovera k'inyigisho zihatangigwa, bigatuma riba rurangiranwa mu makungu rigahurumbigwa n'ibihugu bibanyi, kumbure ejo aho bukera n'ibindi bihugu bitari muri Afrika y'Ubuseruko bizorungika imikangara yavyo kurahura ubwenge ngaha mu Burundi.

24. Twakurikiye kandi twahimbawe n'ibikogwa bitari bike vyaranguwe muri rusangi, na canecane mu bijanye n'inyigisho, nk'uko twabishikirijwe n'uwurongoye iyi Kaminuza, mu mwaka w'ivyigwa waraye usozerewe.

25. Mu ntumbero yo gutegura intwazangabo zikwije mu bumenyi butandukanye, turabashimira ku mugenzo mwiza wo kwama mutunganya indwi yahariwe ubumenyi, inkino n'imico kama, bigatuma abanyeshure bahamenyera vyinshi badasanzwe biga mw'ishure.

26. Muri iyo ntumbero yo guha ubumenyi butandukanye intwazangabo z'Uburundi, turanezerejwe n'uko ibisata vy'ivyirwa muri ISCAM biguma birwira kugira ubumenyi bukenerwa mu buzima bw'igihugu bwose butangwe ngaha, mbere muri kazoza abaja kwiga mu ma kaminuza yandi y'aha mu Burundi bagabanuke cane.

27. Kuri ivyo vyose rero, twagomba dushimire kandi dukeze bimwe bivuye ku mutima uwo wese yagize uruhara kugira mushike kuri uyo mwimbu uteye igomwe mwaronse, duhereye ku bushikiranganji bwo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba, Urwego rwo kwivuna abansi rw'Uburundi, indongozi za ISCAM, abigisha, intwazangabo ziri mu mirimo itandukanye, abanyeshule tutibagiye ibisongerezi n'abasirikare umwe wese mu vyo ajejwe.

28. Ku bijanye n'ibi birori nyezina vy'uno musi eka mbere n'ibikorwa vy'intango mumaze mwo imisi, twagomba dukenguruke icivugo mwatoye ari co: « KAMINUZA Y'INTWARAMIHETO URUHONGORE RW'IMBONEZA MU VY'UBUHINGA N'UBUMENYI MU RWEGO RWO KWIVUNA ABANSI RW'UBURUNDI, MU KUBUNGABUNGA UBUTUNZI KAMA N'UGUKINGIRA ITUNGA RUSANGI VYO NKINGI Y'ITERAMBERE RIRAMA MU BURUNDI ».

29. Ni icivugo cerekana neza intwazangabo mwipfuza kuramurira igihugu ingene zoba zimeze.

Izo na zo zikazoba zirangwa n'ubumenyi bukwiye kandi butandukanye buzozifasha kugira ico ziterereye mu gukingira igihugu cabibarutse, mu kugikunda no mu kugiteza imbere hisunzwe imigambi ya Reta.

30. Ivyo na vyo bitwereka ko intwaramiheto z'Uburundi, duhereye ku ndongozi, zirajwe ishinga no gukingira igihugu cacu ariko zidasize inyuma iterambere rirama kandi ridakumira. Nkako, muramaze kuvyerekana mu bisata bitandukanye, ivyo na vyo ahanini bikaba biva ku bumenyi iri shure rironsa abitegurira kurongora abandi.

Banyakwubahwa mwese mukoraniye ngaha ;
Batumire bahire ;

31. Nk'uko nabivuze, uyu mubarwa ni umusi uhambaye mu buzima bwa Kaminuza y'Intwazangabo mu ntwaramiheto, ISCAM kuko urubanza rumwe rumaze nyinshi nk'uko mwagiye murabigarukako: Hari itanguzwa icese ry'ivyirwa vy'uyu mwaka w'ishure, iyinjizwa muri Kaminuza y'Intwaramiheto ry'abagize umugwi w'abanyeshure ugira 50, hamwe no kuronsa impapuro z'umutsindo abarangije ISCAM bo mu murwi wa 46, no kwakira indahiro zabo.

32. Ni co gituma kuri uyu musi udasanzwe, twakiriye ku mugaragaro kandi duhaye ikaze mu rwego rwo kwivuna abansi iyi mikangara igize umurwi wa 50.
Mbere tunabakeje ko bagize amahirwe bakagomwa mu bandi benshi bariko barahiganwa, bakaba biyemeje gukorera no kwitangira igihugu cabibarutse bari imboneza mu ntwaramiheto z'Uburundi.

33. Ntitwokwibagira rero gukeza izi ntwazangabo zigize umurwi wa 46 zirangije ivyirwa muri ISCAM, zikaba zihejeje kuronka impapuro z'umutsindo.
Tubipfurije kuroranigwa mu mabanga ahambaye bagiye gushingwa mu misi iri imbere yo kurongora abandi.

34. Ico twobibutsa ni uko muri ayo mabanga ajanye no kurongora abandi mwokwama na ntaryo mwumviriza impanuro z'abababoneye izuba, eka mbere mwumvirize n'abo mujejwe mu ntumbero yo kubatunganiriza aho hose bazoba bikenewe.
Ni na ho bazobagirira icizere bakabayoboka mu vyo muzobatuma ata guhigimanga.

35. Izi ndahiro muhejeje kurahira imbere y'Uburundi n'amakungu muzozamize ku muzirikanyi kuko ni zo zizobabera umushinge w'imirimo yanyu.
Mumenye ko mutegerezwa kuzisunga muri vyose, mwirinde kuzirengako. Ni ibanga rikomeye ribangirwa ingata kandi uwuzorimena rizomumena inda nk'uko ba sokuru bayamaze, na kare ngo: "Ubura ibanga ukabona ibara".

36. Muri kino gihe turi muri ibi birori aha muri ISCAM, ntitwogenda tudakeje abasirikare bose iyo bari hose mu mirimo itandukanye, ku bikorwa vyiza bariko bararangura haba mu Burundi canke mu mahanga iyo bari mu bikorwa vyo kubungabunga no kugarukana amahoro.

37. Tubipfurije gutera imbere nk'umuzinga, barushirizeho kandi bame barangwa n'umutima wo gukunda igihugu cabibarutse, kwubaha, gusenyera ku mugozi umwe kugira amahoro asasagare mu Burundi bwacu, muri Afrika no kw'isi yose.

38. Igisirikare c'Uburundi gihejeje kwunguka intwazangabo zihejeje ivyirwa aho bukera zizoja gukora ivyo ziyemeje igihe zahitamwo kwinjira muri ISCAM. Turabakeje rero mwebwe basirikare mwese kuko muronse intwazangabo zifise amaraso mashasha buca zibasanga aho muriko murangurira imirimo itandukanye kugira mufatanye urugendo.

39. Murabakirane urweze maze muzobayoboke mwebwe bazoba barongoye, namwe muzoba mubakurira mu mirimo muzobereke umwonga uhuma n'uwudahuma, mubaronse impanuro zikwiye aho hose bizoba bikenewe.

Banyakwubahwa mwese mukoraniye ngaha;
Batumire bahire ;

40. Abarundi barayamaze ngo: "Nta nyambo ibura agahonzi". Ni co gituma na ho twumvise ivyaranguwe ari vyinshi kandi bishimishije, twumvise ko hariho ivyo mutashoboye gushikako ku mvo zitandukanye, ari na ho mwahereye kugira mushinge imigambi muzokwisunga muri uyu mwaka w'ibikorwa utanguye.

41. Twobanza kubakengurukira kuko ku mwaka uheze mu gihe nk'iki na ho nyene mwari mwashikirije ivyabagoye, ariko uyu musi tukaba twumvise ko vyinshi vyaronse inyishu bivuye ku bwira bwanyu n'abo musanzwe mufashanya. Nta nkeka ko n'ubu bizogenda neza kuko, "Turi kumwe twese, birashoboka" mukaba muzi ko: "inyakamwe inyaga imwe" kandi ko "bugabo bwa jenyene yambuwe n'imburu".

42. N'ubu rero, umwe wese ategerezwa kugira akigoro mu bimuraba kugira imigambi twumvise ISCAM ifise kuri uyu mwaka w'ishure turiko turugurura izoranguke neza.

43. Ku bitwerekeye, Reta turongoye, ntaco itazokora kugira ishigikire Igisirikare c'Uburundi muri rusangi, na canecane mu gisata c'inyigisho duhereye kuri Kaminuza y'Intwazangabo kugira ishobore kurangura ivyo yishinze ata nkomanzi.

Banyakwubahwa mwese mukoraniye ngaha;
Batumire bahire ;

44. Imbere yo gusozera, twagomba dusubire gukenguruka Ubushikiranganji bwo kwovuna abansi, indongozi, canecane za Kaminuza y'Intwazangabo mu ntwaramiheto, ISCAM, abigisha bose n'ababafasha mu gutunganya imirimo ya misi yose, ku kigoro kadasanzwe bagira mu kuronsa ubumenyi abanyeshure mu bisata bitandukanye.

45. Turashimiye kandi abantu bose baba muri ISCAM hamwe n'abaharangurira imirimo yabo ya misi yose, tutibagiye abateguye uru rubanza. Turabakeje mwese ku nteguro nziza y'ibi birori bibereye ijisho mwatunganije.

46. Ni kuri ayo majambo dusozereyeko, twugurura icese umwaka w'ivyigwa w'ibihumbi bibiri na mirongo ibiri ushira umwaka w'ibihumbi bibiri na mirongo ibiri na rimwe (2020-2021) muri Kaminuza y'Intwazangabo mu Ntwaramiheto, ISCAM.

Niharambe Urwego rwo Kwivuna Abansi rw'Uburundi,
Niharambe Kaminuza y'Intwazangabo mu Ntwaramiheto "ISCAM",
Imana ihezagire Uburundi n'abababamwo, Murakoze.
MURAKOZE.